**AMBASSADE DE LA REPUBLIQUE DU BURUNDI A DOHA - QATAR**

**سفارة جمهورية بوروندي**
**دولة - قطر**

URGENT

**ITANGAZO RYO KWIYANDIKISHA KUBAZOKWITABIRA AMATORA YO MU MWAKA WA 2025**

Ubuserukizi bw'Uburundi i Doha muri Qatar buri n'iteka ryo kumenyesha Abarundi baba muri ico gihugu ko Umugwi w'Igihugu ujejwe gutegura amatora yo mu mwaka wa 2025 buca utanguza icese iyandikwa ry'abazokwitabira ayo matora mu gihugu cose c'Uburundi bakwije ibisabwa.

Iryo yandikwa rizokorwa no mu bindi bihugu bihaye indaro Abarundi. Ubuserukizi buhamagariye Abarundi baba muri Qatar kwitabira ico gikorwa kizobera mu kibanza gikurikira, aho bukorera imirimo:

*Zone No 66, Street No 567,*
*Building No 14, Al Dafna,*
*Doha, Qatar.*

Abiyandikisha bose basabwe kwitwaza Igitabu c'inzira (Passeport), Ikarata yo kuba muri Qatar (QID), canke uruhusha rwo kugendesha imodoka.

Ibindi birekuwe gukoreshwa, cane cane ku bari mu Burundi, ni Ikarata karangamuntu, Ikarata y'igisirikare, Ikarata y'igipolisi, Urupapuro rw'amavuko, Urupapuro rwemeza uwahungutse, Ikarata y'ibatisimu, Ikarata zo kwivurizako, canke Ikarata ndangamukozi.

Iri yandikwa ritegekanijwe kuva ku wa 22 gushika ku wa 31 Gitugutu 2024, Ubuserukizi bukazokwakira abiyandikisha iminsi yose kuva isaha zine z'igitondo (10:00) gushika isaha icumi z'umuhingamo (16:00).

**Bigiriwe i Doha, ku wa 21 Gitugutu 2024**

**Ku bw'Ubuserukizi bw'Uburundi i Doha muri Qatar**

AMBASSADE DU BURUNDI
Doha - Qatar

**Ambassadeur Isidore NTIRAMPEBA**


المنطقة 66 , الشارع 567 ; رقم المبنى 14; الدفنة ; الدوحة - قطر
تليفون : 44328116 974 + / 50583800 974 + ; فاكس : 6096 4415 974+ ص . ب : 19788
البريد الإلكتروني : brdiembassy.qa@gmail.com ; www.ambabudoha.mae.gov.bi

Zone N° 66, Street N° 567, Building N° 14, Al Dafna , DOHA - QATAR
Tel: + 974 44328116 / Mobile : + 974 50583800 ; Fax : + 974 4415 6096 ; P.O.Box : 19788
E - Mail: brdiembassy.qa@gmail.com ; WebSite : www.ambabudoha.mae.gov.bi